Burundi

Repubulika y'Uburundi

Umukuru w'igihugu: **Varisito Ndayishimiye (yasubiriye Petero Nkurunziza muri Ruheshi)**
Umushikiranganji wa mbere: **Alain Guillaume Bunyoni (yatanguye kurangura ayo mabanga muri Ruheshi)**

Ubwicanyi ndegerabutungane, gupfungwa mu buryo bunyuranye n'amategeko, kunyuruzwa n'ihohoterwa rishingiye ku gitsina vyarakorewe cane cane abatavuga rumwe na Leta. Uburenganzira bwo guserura ivyiyumviro, uburenganzira bwo kuja mu makoraniro adahungabanya umutekano bwabandanije buhonyangwa; abameyeshamakuru n'abaharanira agateka ka zina muntu barashizwe mu kaga bazizwa akazi kabo. Imvugo zibiba urwanko n'amacakubiri zarabandanije zikoreshwa, kandi Umukuru w'igihugu mw'ijambo yavuze yariyamirije icese abantu b'igitsina kimwe bagira imigenderanire yo kwabirana

Intangamarara

Ihungabanywa ry'agateka ka zina muntu ryarabandanije inyuma y'amatora rusangi yabaye muri Rusama. Hatowe uwitoje ku giti c'umukuru w'umugambwe uri ku butegetsi, Inama y'Igihugu iharanira Intwaro rusangi – Umuhari urwanira Intwaro rusangi (CNDD-FDD). Yashikiriye ubutegetsi ku mugaragaro muri Ruheshi inyuma y'urupfu rwa giturumbuka rw'Umukuru w'igihugu Petero Nkurunziza kw'igenekerezo rya 8 Ruheshi. Mu mpera za Ruheshi, Inama y'abashikiranganji yararahiye. Muri bo harimwo Umushikiranganji wa Mbere, urwo rwego rukaba rwashizweho nk'uko biteganijwe mw'Ibwirizwa Shingiro rya 2018. Amatora y'abaserukira abandi mu nzego za Komini n'Inama Nshingamateka yabaye muri Rusama, akurikirwa n'ayabaserukira abandi mu Nama Nkenguzamateka no mu nzego z'intango (zo ku mitumba) muri Mukakaro na Myandagaro.

Nta ntumwa mpuzamakungu zakurikiranye amatora. Ahanini vyatewe n'ingingo zafashwe zo kurwanya ikiza ca korona virusi. Inama y'Abepiskopi Gatolika b'Uburundi yaragaragaje ko yababajwe n'uko henshi amategeko atakwirijwe, nk'uko vyatangajwe n'indorerezi zayo. Kw'igenekerezo rya 4 Ruheshi, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yaremeje ko amatora yabaye "mu buryo bwemewe".

Muri Gitugutu, Inama ya ONU ijejwe kwubahiriza agateka ka zina muntu yarongeye ikiringo c'Umugwi ujejwe gutohoza ku Burundi.

Uburenganzira bwo kugira amagara meza

Mu ntango, abaserukira intwaro y'igihugu barigamvye ngo "amasezerano adasanzwe igihugu cagiranye n'Imana" yaragikingiye ikiza ca korona virusi. Mu mpera za Ntwarante, umuvugizi wa Leta yaravuze ko ibihano bizofatirwa amashuri n'izindi nzego kubera ko vyafashe imigambi yo kurwanya ico kiza imbere y'uko Leta ivyemera, kuko iyo ntambwe "yohava ivamwo ivyiyumviro bishasha mu banyagihugu canke yohindura inyifato bahorana." Ingingo za mbere zafashwe na Leta zirimwo gushira ukwabo ingenzi, guhimiriza gukaraba intoki no kwirinda indamutso yo gukorana mu ntoke. Ikibuga c'indege mpuzamakungu carugawe kuva mu mpera za Ntwarante gushika mu ntango za Munyonyo. Amakoraniro y'abantu yarabandanije mu gihe co kwiyamamaza n'inyuma y'amatora. Muri Rusama, bamwe mu baganga barabwiye abamenyeshamakuru ko kwipimisha bidakwiye kandi ko mu vy'ukuri

ibitigiri Leta imenyesha vy'abanduye korona virusi biri munsi cane y'ibitigiri vy'abantu bapfa bayizize. Hagati y'ukwezi kwa Rusama, Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu yarirukanye uwuserukira Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe amagara y'abantu (*OMS*) n'abahinga mu buvuzi batatu. Urupfu rw'uwahoze ari Umukuru w'Igihugu, Petero Nkurunziza, rwatumye abategetsi bahindura uko babona ico kiza. Kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi, Umukuru w'Igihugu mushasha yatangaje ko korona virusi ari "umwansi wa mbere", Leta ica itanguza isekeza ryo kwipimisha ico kiza.

Impunzi n'abasaba ubuhungiro

Leta yagumye ihimiriza impunzi gutaha mu Burundi. Itahuka ry'impunzi ziva muri Tanzaniya ryatunganijwe n'ama Leta yifatanije n'Ishami rya ONU rifasha impunzi (HCR) ryarabandanije. Itahuka ry'impunzi ziva mu Rwanda ryatanguye muri Myandagaro. Leta ya Tanzaniya yarahagaritse, iranyuruza, irakubagura, irapfunga mu buryo bunyuranye n'amategeko impunzi, zimwe muri zo irazisubiza mu Burundi ku nguvu. Abatahutse babandanije bahura n'ingorane zo gusubira mu vyabo kandi imfashanyo bahabwa ni intica ntikize. Bamwe bagirijwe gushigikira abatavuga rumwe na Leta, bongera bakorerwa iterabwoba canke bagaterwa n'Imbonerakure, urwaruka rwegamiye umugambwe uri ku butegetsi.

Ingingo zafashwe zo kurwanya ikiza ca korona virusi zaje gusongera isibe mu basaba ubuhungiro hanze y'Uburundi. Kuva muri Nzero gushika hagati y'ukwezi kwa Ntwarante, abantu 3 242 bahungiye mu bihugu bibanyi imbere y'amatora yo muri Rusama. Kuva hashirwa mu ngiro ingingo zo kwirinda uyo mugera ku mipaka, hagati y'ukwezi kwa Ntwarante n'impera za Munyonyo, hiyandikishije muri ako karere impunzi nshasha 24 gusa zivuye mu Burundi.

Ugukumira

Mu gihe co gutegura amatora, abanywanyi ba CNDD-FDD barushijeho gukoresha imvugo ihimiriza ihohoterwa rikorerwa abatavuga rumwe na bo muri politiki, kandi bagasigura icabatumye bategura ibitero ku batavuga rumwe n'ubutegetsi. Leta yarananiwe gukubita intahe mu gahanga abagirizwa kuba bagize uruhara mu gukoresha imvugo zibiba urwanko rushingiye ku moko. Amajambo nk'ayo yabandanije avugwa n'inyuma y'amatora.

Imihari y'abakenyezi yaraneguye ijambo ry'Umutambukanyi w'Umukuru w'Igihugu Ndayishimiye Angeline Ndayubaha yashikirije Inama y'Abakenyezi b'abarongozi muri Nyakanga, yavuze ko igihugu kitazigera kibona ukungana hagati y'abagabo n'abagore, yibanga ku nyandiko mu gushigikira ivyiyumviro vyiwe. Amategeko agenga umuryango yemeza ko abagabo ari abarongozi b' "umuryango w'abubatse hamwe".

Mw'ijambo ryiwe, Umukuru w'Igihugu Ndayishimiye yaragaragaje ukutihanganira abubakana basangiye ibitsina. Mw'ijambo yashikirije umunsi atangura amabanga yo kurongora igihugu, yavuze ko abubakana basangiye ibitsina batandukanye n' "imico n'imigenzo y'ikirundi". Muri Myandagaro, yavuze ko ico ibihugu bishigikiye kwabirana kw'abasangiye ibitsina bihuriyeko ar'uko bifise ibitigiri binini vy'abanduye korona virusi.

Uburenganzira bwo guserura ivyiyumviro

Muri Nzero, Agnès Ndirubusa, Christine Kamikazi, Egide Harerimana na Térence Mpozenzi, abamenyeshamakuru b'ikigo c'abamenyeshamakuru Iwacu, bapfunzwe muri Gitugutu 2019 igihe bari bagiye kwegeranya amakuru yo ku bitero vyabereye mu ntara ya Bubanza, baragiwe n'icaha co "kugerageza bitagishoboka" kubangamira umutekano w'igihugu. Baciriwe igihano co gufungwa imyaka ibiri n'igice n'ihadabu ry'umuliyoni w'amafaranga

(amadolari 525). Umushoferi wabo Adolphe Masabarakiza yambitswe izera. Muri Ruheshi, Sentare Isubiramwo Imanza ya Ntahangwa yemeje ko bagirwa n'icaha. Ariko muri Kigarama, bagiriwe ikigongwe n'Umukuru w'Igihugu, ubu bakaba bidegemvya. [1]

Muri Gitugutu, Fabiyano Banciryanino yahora ari umushingamateka mu mugambwe utavuga rumwe n'ubutegetsi, yarapfunzwe yagirizwa gutuka no gusuzugura, kugumuka, no guhungabanya umutekano w'igihugu. Yabajijwe ibijanye n'amajambo yavugiye mu Nama Nshingamateka aho yanegura Leta, kandi mu bisanzwe akingiwe n'ubudahangarwa bw'amabanga yiwe y'ubushingamateka.[2]

Abaharanira agateka ka zina muntu

Muri Ruheshi, Sentare Ntahinyuzwa y'Uburundi yaremeje ko ingingo yafashwe muri 2019 na Sentare Isubiramwo Imanza ya Ntahangwa yo kwemeza ko Germain Rukuki aharanira agateka ka zina muntu yagirwa n'icaha, n'igihano co gufungwa imyaka 32, itemewe. Urubanza rwasubijwe muri Sentare Isubiramwo Imanza kugira ngo rusubirwemwo n'abacamanza bashasha.

Urubanza rw'abaharanira agateka ka zina muntu n'abanyamakuru 12 bari mu buhungiro bagirizwa "kugumuka" rwarabandanije imbere ya Sentare Ntahinyuzwa. Bagirizwa kuba baragize uruhara mu kugerageza gutembagaza ubutegetsi muri Rusama 2015, bijanye n'uruhara bagize mu myiyerekano yo kwiyamiriza ikiringo ca gatatu c'Umukuru w'Igihugu w'ico gihe. Nta bashingwamanza bari bahari mw'iburanisha ryabaye muri Ruhuhuma.

Uburenganzira bwo gushinga amashirahamwe

Abanywanyi b'umugambwe kizigenza mu yitavuga rumwe n'ubutegetsi, Inama y'abanyagihugu iharanira umwidegemvyo (CNL), barahuye n'imitego myinshi mu bikorwa vyabo vya politiki. Mu turere tumwe tumwe, uruhusha rwo kwinjira ingoro z'umugambwe ntirwatanzwe; mu bindi birere naho ingoro z'umugambwe zarahumanijwe canke zarasenyuwe. Mu gihe co kwiyamamaza imbere y'amatora, abarongozi b'inzego z'intango barababujijwe kwiyamamaza.[3]

Abarongozi bagumye bashinze ijisho ku bikorwa vy'amashirahamwe mpuzamakungu ategamiye Leta, harimwo no gusaba ayo mashirahamwe gutanga amakuru yerekeye ubwoko bw'abakozi bayo b'imvukira. Muri Rusama, hasohotse itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishiraho Inama ishinzwe gutanga akazi mu mashirahamwe mpuzamakungu ategamiye Leta, harimwo no gushiraho ama komite aserukira Leta mu ntara zose z'igihugu ashinzwe kugenzura no kwemeza uguha akazi abakozi bose bimvukira.[4]

Kunyuruzwa ku gahato

Kunyuruza ku gahato kwabandanije gutangazwa, kandi irengero ry'abanyurujwe kera ntiriramenyekana. Umugwi nshingwabikorwa wa ONU ushinzwe kurwanya kunyuruza abantu ku gahato warabajije Leta irengero ry'abantu 81 bashasha (cane cane muri 2015 na 2016). Umwaka wose uraheze Leta itaratanga insiguro n'imwe ku bantu 156 babajijwe n'Umwo mugwi kuva muri 2016. Naho Uburundi bwateye igikumu muri 2007 kw'Isezerano Mpuzamakungu rikingira abantu bose kunyuruzwa ku gahato, ntiburaryemeza kandi ntiburarishira mu ngiro.

Gufata no gufunga binyuranye n'amategeko

CNL yaramenyesheje ko abanywanyi bayo barenga 600, harimwo abitoje, bapfunzwe imbere y'amatora no ku munsi w'amatora. Bamwe bapfunzwe inyuma yo guhangana

n'Imbonerakure. Benshi mu banywanyi ba CNL baciriwe imanza za gihutihuti imbere y'amatora. Ifatwa n'inyuruzwa ryabanywanyi b'umugambwe CNL vyarabandanije mu mwaka wose.

Iminsi ibiri imbere y'amatora, Umushikirizamanza Mukuru yandikiye Umukuru w'Umugwi wigenga ujejwe gutunganya amatora ku rwego rw'Igihugu (CENI) asaba gufuta abanywanyi ba CNL 59 biyandikishije mu matora y'abashingamateka n'ay'abajenama b'ama komine kubera ko hari amatohoza yariko arabagirwa ko. Mu nyuma, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yarafuse ingingo yakuramwo abantu batatu biyandikishije mu matora y'abashingamateka.

Ubwicanyi ndegerabutungane

Ubwicanyi ndegerabutungane bwarabandanije mu mwaka wose. Muri Ruhuhuma, umugwi utazwi witwaje ibirwanisho waratanye mu mitwe n'abapolisi n'abasirikare mu ntara ya Bujumbura rural, hanyuma amafoto na video bica birakwiragizwa ku mbuga ngurukanabumenyi vyerekana abasore bashika 12 bari bafashwe kandi bakabohwa, hamwe n'ibiziga vya benshi muri bo. Umugwi wa ONU ujejwe gutohoza ku Burundi warihweje ibimenyetso, hanyuma usanga ko abo bantu bishwe inyuma yo gufatwa kandi mu gihe bari mu minwe y'abapolisi n'abasirikare hamwe n'Imbonerakure, na bo baraboneka neza mur'ayo masanamu.

Imbonerakure zarishe abanywanyi benshi b'imigambwe itavuga rumwe na Leta mu gihe c'amatora. Abanywanyi ba CNL na CNDD-FDD nabo nyene barapfuye bazize imishamirano ikaze hagati y'imigambwe. Richard Havyarimana, umunywanyi wa CNL, yanyurujwe muri Rusama mu ntara ya Mwaro, ikiziga ciwe catowe inyuma y'iminsi itatu. Akarorero kadasanzwe ko guhana karerekanwe igihe Imbonerakure zibiri zagirijwe ico caha c'ubwicanyi: muri Myandagaro zaciriwe gufungwa imyaka 15 zongera zitegekwa kuriha umuryango w'umuhisi indishi y'akababaro y'imiliyoni cumi (amadolari 5 200).

Ihohoterwa rishingiye ku gitsina

Ihohoterwa rishingiye ku gitsina ryarakoreshejwe n'Imbonerakure n'abandi bantu nk'itera bwoba no mu guhana abantu bafatwa nk'abatavuga rumwe mu vya politiki. Mu cegeranyo c'umwaka wa 2020, Umugwi wa ONU ujejwe gutohoza ku Burundi wagaragaje ivyaha vy'ihohoterwa rishingiye ku gitsina vyakorewe abagabo n'abahungu, ndetse n'abagore n'abakobwa, bafungiwe mu gasho k'Urwego rw'igihugu rushinzwe iperereza (SNR) kuva mu 2015. Abakozi ba SNR baraboreje igufa imbohwe z'abagabo barongera barazikubagura ku magara kandi bazifata ku nguvu. Babahatiye kuryamana n'abandi bapfungwa, abagabo n'abagore, babategeka kwambura impuzu no gukora ibindi biterasoni. Abagore bafashwe ku nguvu kandi bakorerwa ibindi vyaha vy'ihohoterwa rishingiye ku gitsina.

Uburenganzira ku kuri, ubutungane n'indishi y'akababaro

Umugwi ujejwe ukuri no kurekuriranira wamaze umwaka ushira ahabona ibikorwa vyawo vyo kuzura ibisigarira vy'abahambwe mu binogo rusangi bishwe mu mabi yahitiye. Uko kuzura kwagamije ibisigarira vyabahitanywe n'ubwicanyi bwabaye muri 1972 bwahitanye cane cane Abahutu. Ivyo navyo vyongeye ku majambo yavuzwe n'abarongozi vyateye imishamirano kandi vyatumye abantu benshi babona ko ari ugushaka kuvuga inkuru ihengamiye ku ruhande rumwe. Ukuzura ibisigarira kwakozwe mu buryo buteye kubiri n'ukuzigama ivyemezo vy'agaciro no gushingura mw'iteka ibisigarira vy'abantu.[5]

[1] *Burundi: Upholding journalists' conviction further undermines media freedom* (Press release, 5 June)
[2] *Burundi: Release outspoken opposition politician* (AFR 16/3230/2020)
[3] *Burundi: Prioritise human rights in election season* (AFR 16/2214/2020)
[4] *Burundi: Drop demand on international NGOs to disclose ethnic identity of employees* (Press release, 27 February)
[5] *Burundi: Human rights priorities for new government* (AFR 16/2777/2020)